

# INDERO KU BIJANYE N'IVY'IGITSINA NI IKI?

Ishure rya Quebéc rifise amabanga rijejwe mu biraba indero ku bijanye n'ivy'igitsina kuva mu myaka yababa 40. Indero ku bijanye n'ivy'igitsina irakenewe cane muri iki gihe gusumba igihe yatangura kwigishwa mw'ishure, mu myaka ya 80. Mu mice y'ubuzima muri iki gihe, irangwa n'ibintu bishasha vy'ubuhinga bwa none, yongereza ko vyihutirwa kugira ico umuntu akoze. Ibigize ivyo bintu bishasha mu mice y'ubuzima (telefone ifise ubwenge n'ingurukanabumenyi), bishira abanyeshure imbere y'amasoko menshi bakuramwo amakuruku bijanye n'ivy'igitsina, igice kimwe cayo kikaba kirimo ivyiyumviro bitari vyo, bigabagabanywa, bitumvikana, rimwe na rimwe usanga bivuga ibintu bitari bimwe na canecane biteye isoni.

Izo ngorane zisaba ko hogira ico umuntu akoze kugira afashe urwaruka ingene rwitwara mu bijanye n'ivy'igitsina mu munezero no mu mutekano.

Indero ku bijanye n'ivy'igitsina iri mu mugambi w'inyigisho w'ishure rya Québec.
Ni inyigisho zitegetswe kuva mu kwezi kwa Myandagaro 2018, ivyo kandi, biraraba abanyeshure bose bo muri Québec, gutangura amashure y'imicuko gushika mu mwaka wa 5 w'amashure yisumbuye (Itegeko rigenga inyigisho mu mashure ya Reta, ingingo ya 461 n'Inyigisho zitegerezwa kwigishwa mu mwaka w'ishure wa 2018-2019, Itegeko 2.4.2, Ubushikiranganji bw'Indero n'Amashure Kaminuza, MEES).

Mu vyukuri ni umugambi utomoye w'abanyagihugu, indero mu bijanye n'ivy'igitsina yubaha kandi ikongereza inguvu agaciro be n'ingingo ngenderwako z'intango mu banyagihugu bagendera kuri demokrasi.

Ishira imbere ukubona ibintu bijanye n'ivy'igitsina mu bundi buryo kandi bwiza. Ituma umuntu aronka ubumenyi kandi akiga

## IBIJANYE N'IVY'IGITSINA NI IKI?

Ibijanye n'ivy'igitsina akenshi babiraba gusa mu kibanza gifatiye ku ngene umuntu aremwe, kandi bifatira ku gushikirana kw'ibibanza bitanu.

| Ikibanza gifatiye ku mubiri | Ikibanza gifatiye ku nyifato no ku mutima | Ikibanza gifatiye ku kibano be no ku muco kama |
|---|---|---|
| • Imikurire n'imikorere y'umubiri<br>• Amagara ku bijanye n'ivy'igitsina n'irondoka | • Ishusho y'umubiri n'akaranga<br>• Ukugaragaza inyiyumvo n'ivyo umuntu akeneye<br>• Imikurire mu biraba urukundo | • Ubutumwa bushikirizwa n'abantu bo mu kibano butuma umuntu yubaka akaranga kiwe (inyifato rusangi ku bijanye n'ivy'igitsina)<br>• Amategeko ya Reta araba uburenganzira n'ubwigenge mu bijanye n'ivy'igitsina |
| Ikibanza gifatiye k'ukubana n'abandi bantu | Ikibanza gifatiye ku nyifato runtu | |
| • Umubano n'abandi bantu<br>• Ubushobozi bwo guhanahana amakuru, kugira ibiganiro no gutorera umuti amatati<br>• | • • Ingingo ngenderwako zosha abantu ku ngene baraba ibijanye n'ivy'igitsina kandi bikabarongora mu mahitamo bakora | |

# INYIGISHO ZITEGETSWE KUBA ZIRIMWO

Indero ku bijanye n'ivy'ibitsina itegerezwa kuba irimo inyigisho zitomoye zubaha imyaka y'abana n'ibigero bashitseko. Izo nyigisho zatoranyijwe n'abahinga bize ibijanye n'ivy'igitsina, n'ibijanye n'amagara y'abantu n'ibijanye kandi n'indero bakwirikije intumbero be n'impanuro z'imiryango yemewe nk' Ishirahamwe mpuzamakungu ryitaho ivy'indero, ubuhinga n'imico kama (UNESCO), Ishirahamwe mpuzamakungu ryitaho amagara y'abantu (OMS) n'Inama Nkuru ya Reta Zunze Ubumwe za Amerika Ijejwe Amakuru araba Ibijanye n'Ivy'Igitsina n'Indero (SIECUS).

Umwaka wa 1
Amabi mu vy'igitsina
« Ni ayahe matandukaniro hagati y'ivyiza n'ibibi bivugwa mu mpisho? »

Umwaka wa 1
Akaranga, uruhara n' inyifato rusangi ku bijanye n'ivy'igitsina, ingingo mfatirwako bisunga mu kibano
« Ndi nde? »

Umwaka wa 2
Ugukura k'umuntu mu bijanye n'ivy'igitsina n'ishusho y'umubiri
« Nokwibungabunga gute? »

Amashure y'imicuko
Ukwibugenga be n'ukwibaruka
« Navutse gute? »

Umwaka wa 3
Akaranga, uruhara n' inyifato rusangi ku bijanye n'ivy'igitsina, ingingo mfatirwako bisunga mu kibano
« Abigeme boba boshobora gukina hockey? Umupapa yoshobora kuba umugabo mu rugo? »

Umwaka wa 4
Ibibazo bijanye n'inyiyumvo n'ivy'urukundo
« Umugenzi bisigura iki? Inshuti yoba ari iki? Umwigeme ufise umushatsi ugomba gutukura we ni iki? Umusore canke umwigeme dukundana we ni iki? »

Umwaka wa 5
Amabi mu vy'igitsina
« Nakingira gute amakuru yanje ku ngurukanabutumwa? »

Umwaka wa 6
Ugukura k'umuntu mu bijanye n'ivy'igitsina n'ishusho y'umubiri
« Umubiri wanje urahinduka.. Umubiri wanje ntuhinduka… Niyumva gute?»

Umwaka wa 5
Ugukura k'umuntu mu bijanye n'ivy'igitsina n'ishusho y'umubiri
« Ndahinduka… Ndakura… Ubuyabaga bwoba ari iki? »



Umwaka wa 6
Akaranga, uruhara n' inyifato rusangi ku bijanye n'ivy'igitsina, ingingo mfatirwako bisunga mu kibano
« Uwundi muntu atandukanye na jewe… Nomwubaha gute? »

Le savoir qui grandit

## AMABANGA BOSE BAJEJWE

Ishure n'umuryango barafise uruhara rwo kwunganirana mu kuronsa indero y'ibijanye n'ivy'igitsina. Uko kwunganirana kongereza inguvu ibikorwa vya buri wese.

|  Abavyeyi | Ishure  |
|---|---|
| <ul><li>ni abaherekeza umwana mu buzima bwiwe bahambaye, bamwigisha imico myiza n'ingingo mfatirwako</li><li>bayaga ibiraba ikibanza gifatiye ku bijanye n'ivy'igitsina</li><li>bahanahana amakuru no kw'ishure iyo bikenewe kandi bakitabira inyigisho nkarishabwenge zabateguriwe</li></ul> | <ul><li>ni ahantu hambere mu kuronsa indero ijanye n'ivy'igitsina, kuko abanyeshure bahamara igihe kinini kandi ku mvo yuko abantu bakuze bo kw'ishure bafitanye n'abanyeshuri umubano uhambaye</li><li>rifise abahinga bize ivy'indero z'abana kandi bakaba abanyamwuga bafise ubushobozi bukwiye kandi abanyeshure bakaba babizigira</li><li>rironsa ahantu abantu bahanahana ivyiyumviro bubahana kandi bagatahura igihe gikwiye ko umuntu yogira ico akoze mu biraba indero y'ibijanye n'ivy'igitsina</li><li>ritanga akaryo ku banyeshure bose kugira baronswe amakuru amwe</li></ul> |

## NINDE AVYIGISHA?

Abanywanyi benshi bo mu murwi barashobora kurongora inyigisho nkarishabwenge: umwigisha, umurezi w'umuhinga, umuhinga mu vy'indero z'inyifato, umuforoma. Imiryango imwe imwe yo mu kinyi nayo itanga inyigisho nkarishabwenge n'ingoga kandi zibereye imyaka abana bafise.

## NI IBIHE BIKORESHO BITEGEREZWA GUKORESHWA MU NYIGISHO?

Abarongora inyigisho nkarishabwenge bifashisha amashusho agenewe mu gufasha kuronsa inyigisho yatunganyijwe n'Ubushikiranganji Bujejwe Indero n'Amashuri Kaminuza (MEES). Indero y'ibijanye n'ivy'igitsina, be n'ibindi biri mu zindi nyigisho zigishwa kw'ishure, bisaba kuvanga uburyo vyigishwa. Mugabo, bitegerezwa kuba igihe cose bibereye imyaka abana bafise.

## AMAKURU

Kugira uronke amakuru menshi araba indero y'ibijanye n'ivy'igitsina, utegerezwa kubaza uburongozi bw'ishure.

## IRERESI ITEGEREZWA KURABWA, IRI MU NDIMI ZITANU

Yatunganyijwe na Komisiyo y'Ishure ry'i Laval : *Kutobandanya gufata indero y'ibijanye n'ivy'igitsi nk'agatangaza*

http://www2.cslaval.qc.ca/spip.php?article4450&var_recherche=%C3%89ducation%20%C3%A0%20la%20sexualit%C3%A9

## INYANDIKO YATUNGANYIJWE NA

Nathalie Ringuette, umuhanuzi w'umuhinga mu vy'inyingisho mu ndero y'ibijanye n'ivy'igitsina be n'umuhinga mu vy'igitsina, na Miriam Rodriguez, umuhanuzi w'umuhinga mu vy'inyingisho mu kuronsa ivyigwa mu rurimi rw'igifaransa, SASAF, Serivisi z'ukwakira no gushigikira kwigisha igifaransa, SEJ, CS de la Capitale, Ruheshi 2019.

## ISOKO Y'AMAKURU

Inyandiko zatunganyijwe n'Ubushikiranganji Bujejwe Indero n'Amashuri Kaminuza ku biraba indero ijanye n'ivy'igitsina ziboneka kuri aderese ikwirikira

http://www.education.gouv.qc.ca/professionnels/dossiers/education-a-la-sexualite/

Impanuro zatanzwe na CIUSSS y'Ikigo ca-Sud-de-l'Ile-de-Montréal, Uburongozi bw'Akarere kajejwe Gukingira Amagara y'Abanyagihugu, Ibijanye n'ivy'igitsina n'ibibanza vyavyo bitanu [ihinduranyandiko], SEXOclic, [Ku ngurukanabutumwa], Nzero 2019, (Ipaji yasomwe muri Rusama 2019)

https://santemontreal.qc.ca/fileadmin/fichiers/professionnels/DRSP/sujets-a-z/SEXOclic/Comprendre/2019/Globalite-de-la-sexualite_Janvier_2019.pdf] (Page consultée en mai 2019)

Amashusho: Shutterstock, Pixabay et Freepik (umwigisha ari kumwe n'abanyeshure: Yatunganyijwe na rawpixel.com/Freepik)

